Rumonge : Ibikorwa vy'ihohoterwa n'ubwicanyi kw'izina ry'umutekano

Incamake

Ntwarante 2021

Nzero 2021 kwabaye ukwezi kw'uruhagarara ku bantu baba muri komine Burambi, intara ya Rumonge.

Abajejwe umutekano bariko barondera Déogratias Niyongabo, batazira Come, bakeka ko ari umunywanyi kirumara w'abatavuga rumwe na Leta bitwaje ibigwanisho, kuva 2015. Ku wa 16 nzero 2021 – igihe abapolisi bamusanga mu nzu ya murumunawe, Egide Sindayigaya – bagiye bamujanye. Ivyakurikiye mu nyuma ntawubizi neza. Igipolisi cemeje ko camwishe bariko bararasana, ariko ayandi masoko yariyamirije iyo nkuru itangwa n'igipolisi.

Munyuma, hakurikiye Egide. Abapolisi baramukubise munyuma bamushikiriza igendereza. Michel Ndikuriyo, umukuru w'igendereza mu ntara ya Rumonge, yamutwaye mu biro vyiwe, aca ategeka umupolisi : « Mushushe imbugita ni atavuga ukuri. Nca nkata ibipande bimwe vy'inyama (vy'umubiri wiwe) hanyuma ndabishire ku muriro ». Yategetse Egide kwambura impuzu aca amubwira yemere ko yari yanyegeje murumunawe kandi ko yari azi Protais Niyungeko, yikekwa kuba umunywanyi w'abatavuga rumwe na Leta bitwaje ibigwanisho. Ndikuriyo yakubise Egide ku birenge, ku matako, mu gatuntu hamwe no mu mugongo akoresheje inkoni ya plastike.

Protais yari yahagaritswe ku wa 14 nzero hanyuma atwarwa mu biro v'igendereza, aho yahohotewe. Ku wa 18 nzero, abapolisi baramusubije i Burambi kurondera ibirwanisho bakeka ko yoba yaranyegeje, hanyuma arakubitwa amaboko aboheye i mugongo. Igipolisi cabanje kwemeza ko Protais yaguye mu « kurasana », mu nyuma bahindura inkuru yabo, bavuga ko yagerageje guhunga.

Ishingiye ku makuru ahari, Initiative pour les droits humains au Burundi (IDHB) isanga igipolisi ata mvo n'imwe yari gutuma barasa abantu babiri, bari mu minwe yabo, kandi bose boba bari baboshwe kandi bari bacunzwe nabo.

Amaze gukubitirwa mu Rumonge, Egide baciye bamutwara gupfungirwa aho Protais apfungiwe, aho ibiro vy'igendereza bipfungira, ku cicaro gikuru c'ivyo biro i Bujumbura. Aho, abakozi b'igendereza baramukubitishije inkoni igizwe n'udutsinga twinshi, bamutegetse gupfukama kudufuniko tw'amacupa dukomeretsa, no kuryama ku kabaho kariko imisumari. Abamuhohoteye baramuteye urushinge, bamukomeretsa ku bihimba vy'irondoka.

Igihe bamwungururije mu gipolisi ku rwego rw'intara ya Rumonge, Egide yari afise ibikomere umubiri wose, ariko baramwankiye ko yivuza. Ababibonye baremeje ko yapfiriye mw'ibohero ry'igipolisi ku wa 25 nzero. Buramatari w'intara ya Rumonge, Consolateur Nitunga, yarashigikiye ko yapfiriye mu bitaro, kubera indwara idakira yari afise.

Iki cegeranyo gishasha ca IDHB cagize ubushakashatsi ku bwicanyi n'ibindi bikorwa vy'ihohoterwa Iburambi hamwe n'insiguro zivuguruzanya kuvyabaye zitangwa na Leta. Kiramenyesha kandi ihohoterwa igendereza ryakoreye abandi bantu batandatu – bo mu ntara zitatu zitandukanye – mu mpera za 2020 no mu ntango za 2021. Abo bapfungwa bagirizwa gukorana n'abatavuga rumwe na Leta bitwaje ibigwanisho bari bateye igihugu bakica abantu muri myandagaro na nyakanga 2020. Abakozi b'igendereza barahohoteye bamwe muri abo Bapfungwa bakoresheje urushinge, kuri umwe, ku bihimba vy'irondoka vyiwe, abandi nabo babakubitisha intsinga zitwara umuyagankuba-ubuhinga bwo guhohotera bumeze nk'ubwo bakoresheje kuri Egide.

Iryo honyangwa riteye kubiri n'akamo k'Umukuru w'igihugu Ndayishimiye ko kwubaha amategeko no gutunganiriza abarengana. Ubutandukane hagati y'ivyo avuga n'ibikorwa – n'inyifato igaragara y'abategetsi yo kudahana abakora ayo mabi – Ni igitutsi ku bantu b'I Burambi biciwe ababo, abandi bagahohoterwa canke bagapfungwa hadakurikije amategeko.

Icegerenyo kiriho mu gifaransa no mu congereza.